# Uwusenze isengesho ryo mu mutwenzi, aba akingiwe mu budahangarwa bw'Imana Allah

Mu vyakiriwe na Jundubi mwene Abdullahi Al-Qasriy (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwusenze isengesho ryo mu mutwenzi, aba akingiwe mu budahangarwa bw'Imana Allah, ni ukuri muriyubara rero, ko Imana Allah Ibabaza ku kintu ico ari co cose kijanye n'agateka kayo mwahonyanze mu gihe Ibakingiye mu budahangarwa bwayo; kuko mu vy'ukuri, uwo wese Izoramuka Ibajije ku kintu ico ari co cose kijanye n'agateka kayo yahonyanze, nta kibuza Izomucakira, hanyuma Imute mu muriro wa Jahannamu agwire mu maso hiwe (yubitse inda)".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratwiganira ko uwusenze isengesho ryo mu mutwenzi, aba akingiwe abungabunzwe n'Imana Allah mu budahangarwa bwayo, maze Ikamurwanako Ikanamutabara. Mu nyuma, (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarihanije umuntu guca kubiri n'iryo sezerano ngo arirengeko mu kureka isengesho ryo mu mutwenzi, canke mu kuburabuza no mu kubangamira abarisenga, kuko uwugize ivyo aba ahonyanze agateka ko kuba akingiwe mu budahangarwa bwayo, akaba anakwiye kwihanizwa cane ko Imana Allah Izomubaza ku gateka kayo yahonyanze, ku buryo uwo wese Imana Allah Ibajije ku gateka kayo yahonyanze, Iheza Ikabimuhora, hanyuma Ikamuta mu muriro wa Jahannamu akagwira mu maso hiwe.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee